# REPUBURIKA Y'UBURUNDI

## IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU

Tel: +257 77 535 000
E-mail: bic@kwantare.gov.bi
Site web: www.kwantare.gov.bi

**IBIRO BIJEJWE KUMENYESHA AMAKURU**
Facebook: /PresidenceBurundi
Twitter: @KwaNtare

## ITANGAZO KU BIMENYESHAMAKURU n° 10

Igisata co kumenyesha Amakuru mu Biro vya Nyenicubahiro Umukuru w'igihugu, ku Ngoro yitiriwe NTARE RUSHATSI, kiri n'iteka ryo kumenyesha ko Umukuru w'igihugu ca Angola Nyenicubahiro João Manuel GONÇALVES LOURENÇO yaganiriye na Mugenzi we w'Uburundi, Nyenicubahiro Varisito NDAYISHIMIYE.

Ahanini barabiye hamwe ibijanye n'imigenderanire hagati y'Uburundi na Angola ndetse batandukira n'ibiraba Akarere ibihugu vyompi birimwo, hamwe n'ibiraba amakungu. Bompi bemeranije kwama bitwararika ivyo gukomeza imigenderanire, guhanahana ibidandazwa no kunama rimwe ku bibazo bijanye n'inyungu z'ibihugu vyompi.

Basozereye ikiganiro cabo co kw'iterefone basubira kwipfurizanya Umwaka mwiza w'imigisha, kuri bo no ku Benegihugu barongoye.

**Amb. Willy Nyamitwe**
*Umukuru w'Ibiro bijejwe Amakuru*